**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

**ITANGAZO RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI N°13 YO KU WA MBERE IGENEKEREZO RYA 06 MUNYONYO 2023**

Inama y'Abashikiranganji idasanzwe yarakoranye kuri uyu wa Mbere igenekerezo rya 06 Munyonyo 2023, mu Kirundo, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 02 Munyonyo 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'itegeko ryerekana ishirwa mu ngiro ry'ibwirizwa n°1/19 ryo ku wa 04 Myandagaro 2023 risubiramwo ibwirizwa n°1/21 ryo ku wa 15 Gitugutu 2013 rigenga ubutare mu Burundi, mu bijanye n'icukurwa ry'ubutare n'urucekeri ku buhinga budahanitse,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Uburundi bufise ubutare n'amabuye vyinshi bishobora kugira ico bizanye mw'iterambere ry'ubutunzi n'imibano mu gihe bikoreshejwe neza.

Mu ntumbero yo kuraba ko uburyo buva muri ubwo butare bwokwiyongera kuruta, no kuduza ubutunzi, kugirango ihangiro ry'Uburundi bwifashe mu mwaka w'2040 n'Uburundi buteye imbere mu mwaka w'2060 rishikweko, Reta y'Uburundi yarahinduye ibitari bike, harimwo amategeko agenga igisata c'ubutare n'urucekeri, kugirango giteze imbere ubutunzi bw'igihugu.

Nico gituma mu mwaka w' 2013 igisata c'ubutare n'urucekeri mu Burundi cararonkejwe amategeko mashasha akigenga, kugirango abanyamitahe, baba Abarundi canke abanyamahanga

bagihurumbire, no kugirango hisungwe ibisabwa ku rwego mpuzamakungu.  Ariko uko iminsi yagiye iriterera, vyarabonetse ko hari uduhaze muri ayo mategeko. Mu ntumbero yo gukosora utwo duhaze, muri Myandagaro 2023 haragiyeho ibwirizwa rishasha rigenga igisata c'ubutare n'agataka.
Ariko iryo bwirizwa rirakeneye amategeko mperekeza kugirango rije mu ngiro neza.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe.

Yerekeye icukurwa ry'ubutare n'urucekeri hakoreshejwe ubuhinga bubayabaye, ingene hatangwa impusha zo kubuhingura no kubushora, n'ibindi….

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Gutandukanya ico umuntu ajejwe n'imirimo muri iyo nteguro;
- Ubushikiranganji bujejwe ubutare bwofashanya n'ubw'ikigega ca Reta  mu gushinga amahera arihishwa;
- Gusoma neza iyi nteguro ibiza biragaruka kabiri kabiri bikavanwemwo;
- Gutosora neza iyi nteguro udukosa turimwo tukavamwo.

2. **Indinganizo y'ibizokorwa mu guteza imbere igisata c'ubutare mu Burundi**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Uburundi bufise ubutare bwinshi butaracukurwa, bushobora kuba isoko ry'amahera n'ubuzi ku bantu benshi.

Ariko Reta ibona ko intererano y'ico gisata iguma ari nto cane uravye ico abantu bari bacitezeko. Kubera ivyo, Reta yarafashe ingingo yo guhagarika amasezerano atari make yo gucukura ubutare mu mwaka w'2021, mu kurindira ko haboneka ibwirizwa rishasha rigenga ubutare. Iryo naryo  ryateweko umukono muri Myandagaro  2023, kandi rikaba ryarazanye impinduka zitari nke.

Kugirango ico gisata kibe kirumara kuruta, indinganizo y'ibikorwa mu kugiteza imbere yarakozwe.

Ishimikira kuri ibi bikurikira:

- Kwongerereza ubuhinga n'ubumenyi no gutunganya bushasha inzego zijejwe igisata c'ubutare n'agataka.

- Gukomeza intwaro ibereye no gukorera ku mugaragaro mu gisata c'ubutare, be n'uko Uburundi bwosaba kwinjira mw'ishirahamwe rihimiriza amahinguriro yimba ubutare gukorera ku mugaragaro.
- Gushiraho amakori atawe arenganya kandi atuma abanyamitahe bahurumbira ico gisata.
- Gukurikirana neza inzira ubutare bufata no kwemeza aho bwavuye no gukurikiranira hafi icukurwa ryabwo.
- Kugwiza ubushakashatsi muri ico gisata.
- Gukurikirana neza no gukingira ibidukikije bifatiye ku butare.
- Gushira imbere ubushobozi n'ubumenyi, n'ibindi.

Ikirangaminsi co gushira mu ngiro ibitegekanijwe guhinduka kiringanijwe uku gukurikira:

- Kwemeza itegeko ritunganya icukurwa ry'ubutare n'urucekeri ku buhinga budahanitse (**Munyonyo 2023)**.
- Kwemeza indinganizo y'ibizokorwa mu guteza imbere igisata c'ubutare mu Burundi (**Munyonyo 2023)**.
- Gusaba kwinjira mw'ishirahamwe rihimiriza amahinguriro yimba ubutare gukorera ku mugaragaro (**Munyonyo 2023)**.
- Gusubira gutangura kuganira ku masezerano yo gucukura ubutare yahagaritswe mu mwaka w'2021**(Nzero 2024)**.
- Kwifashisha abahinga mu kuganira ku masezerano yo gucukura ubutare **(Nzero 2024)**.
- Kwiga neza amakori yotozwa mu gisata c'ubutare ku buryo bworoshe, no kuraba ibindi bisata vyotozwamwo amakori mu ntumbero yo kwagura aho atozwa **(Nzero 2024)**.
- Gusuzuma ingene inzego zijejewe ubutare zubatse n'ingene zikora **(Nzero 2024)**.
- Kwifashisha abahinga mu kuraba ingene igisata c'ubutare kimeze (**Ndamukiza 2024)**.
- Gushiraho itegeko ritunganya icukurwa ry'ubutare ku buryo bwa kijambere, n'amasezerano mfatirwako yisungwa mu gutanga uburenganzira bwo gucukura ubutare (**Ndamukiza 2024)**.
- Gushiraho itegeko nshikiranganji ryerekeye ibidukikije bifatiye ku gisata c'ubutare (**Ndamukiza 2024)**.
- Gushira ku gihe itegeko ritunganya igisata c'ubutare n'urucekeri (**Mukakaro 2024**.
- Gutunganya gushasha inzego zijejwe ivy'ubutare (**Kigarama 2024)**.
- Kwugurura ikibanza kimwe cerekana ibice birimwo ubutare (**Kigarama 2024)**.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo ndinganizo, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Gushirako ivyandiko biranga ubushikiranganji ku mutwe w'iyo ndinganizo;

- Gushira ikimangu kuri iyi ndinganizo cerekana ko yemejwe n'inama nshikiranganji;
- Kwerekana ikirangaminsi c'ibizokorwa, abo vyega n'ikiringo ;
- Gushiraho umugwi woba ujejwe kuganira ku masezerano ajanye no gucukura ubutare arimwo amatati;
- Gutosora iyi nteguro neza.

3. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko rigenga ishirahamwe REGIDESO**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Bikuru bikuru bitumye iri tegeko risubirwamwo ni ibi bikurikira :
- Itegeko rihari ni iryo mu mwaka w'1997 rikaba ritagihuye n'amabwirizwa n'amategeko yandi yagiyeho mu nyuma.
- Haheze igihe kirekire cane umutahe w'ishirahamwe REGIDESO udasubiwemwo ;
- Itegeko rihari ntiryerekana ingene abayobozi bagenwa, kandi kugirango bakore neza bategerezwa kubanza gukoreshwa ikibazo;
- Ingene ishirahamwe REGIDESO ryubatse ntibikijanye n'ibikorwa risabwa kuko vyagiye biraguka, arico gituma iyi nteguro itegekanya ubuyobozi bushasha bubiri ;
- Ku rwego rw'uburere, haretegekanywa igisata kijejwe amazi, ikijejwe umuyagankuba, n'ikijejwe ubudandaji, bikukira abayobozi batandukanye.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:
- Gushira ku gihe umutahe w'ishirahamwe REGIDESO kubera ibiharuro vyashikirijwe ni ivya kera ;
- Mu rwego nshingwantwaro, gukuramwo uwuserukira abakozi agasubirirwa n'abahinga babizi mu vyo REGIDESO ijejwe ;
- Uwuserukira amahinguriro akoresha ivyo Regideso ihingura yotorwa n'ishirahamwe ry'abafise amahinguriro ;
- Gutegekanya inama zidasanzwe z'urwego nshingwantwaro mu gihe hari ivyihuta bikeneye kwigwa ;
- Gukuramwo ibijanye n'ugutuma uwuserukira uwundi mu nama y'urwego nshingwantwaro;
- Gukuramwo ibijanye n'umwanyq uhabwa umushikiranganji kugirango abe yagize ico avuze ku ngingo zafashwa n'urwego nshingwantwaro;
- Gukuramwo ibijanye no gusubizwa uburyo uwuri mu rwego nshingwantwaro yakoresheje mu kwitaba inama, kuko hasanzwe hariho amahera atangwa k'uwitavye iyo nama;
- Gushiramwo ko umuyobozi mukuru n'abayobozi babanza gukoreshwa ikibazo, hanyuma Umukuru w'Igihugu agashikirizwa batatu ba mbere barushije abandi mu kibanza kimwe kimwe, kugirango atoremwo umwe agena ;

- Gushiramwo ingingo ivuga ibishobora gutuma umuyobozi mukuru canke umuyobozi ava mu mabanga;
- Ku bijanye n'ikiringo, gukuramwo ivyerekeye kwongerwa rimwe gusa, kugirango uwukoze bigashimwa abandanye yongerwa ikiringo, mu gihe cose bizoba bikenewe.

4. **Integuro y'imfashanyo y'amadorari y'abanyamerika imiliyoni mirongo itanu Ibanki y'isi yose ihaye Uburundi yiyongera kuyo yari yaratanze yo kwubaka ingomero rw'umuyagankubba kuri Jiji-Mulembwe,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Uwo mugambi ni uwo kwubaka ingomero zibiri zifise Magawate mirongo itatu na zibiri n'igice (32,5 MW) kuri Jiji na cumi n'indwi (17 MW) kuri Mulembwe.

Iyo mfashanyo yinyongera ku yari yaratanzwe kubera hari igihengeri mu bijanye n'uburyo bwo kurangura uwo mugambi.

Ni inyishu ku gisabo Uburundi bwari bwashikirije kw'igenekerezo rya 25 Myandagaro 2023. Uwo mugambi wari wategekanijwe kurangirana n'umwaka w'2023 uzoca urangira kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi 2026.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**.

5. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n° 1/03 ryo ku wa 07 Rusama 2016 rigenga amadeni ya Reta,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Reta y'Uburndi yarihaye igikorwa co guhindura ibintu mu bijanye n'ubutunzi n'ingene amahera y'igihugu akoreshwa. Izo mpinduka zatangujwe kugira habe intwaro ibereye mu mahera y'igihugu be no gukomeza imigenderanire n'abafashanya n'igihugu mu migambi y'iterambere.

Muri bikuru bikuru bitegekanywa guhinduka kugirango amadeni igihugu gifata akoreshwe neza, harimwo gukomeza amategeko ahari kugirango ingaruka ku mahera igihugu gikoresha ku mwaka zishobore gukurikiranwa neza.

Iyi nteguro irazana akarusho ugereranije n'itegeko ryari rihari, mu gukurikiranira hafi ibisata vyose vya Reta bishobora gufata amadeni, kugirango hakingwe ingaruka ku mahera akoreshwa ku mwaka, bifatiye ku madeni bifise.

Bishasha bikuru bikuru iri bwirizwa rizanye ni ibi bikurikira :

- Amadeni afatwa n'amashirahamwe Reta ifisemwo umutahe n'ayafatwa n'amakomine abanza kwemezwa n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta ;

- Ayo mashirahamwe n'amakomine ategerezwa kwama amenyesha umushikiranganji w'ikigega ca Reta urugero rw'amadeni agezeko ;
- Ingene ingwati zitangwa be n'ingene ideni ryafashwe ryimukira ahandi vyaratomowe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje,** ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Ku ngigo ya 38, kwandika ko icegeranyo gitangwa uko amazi atatu aheze aho kuba uko umwaka uheze ;
- Umutwe w'ikigabane ca gatatu woba « Ugukora ku mugaragaro n'isuzuma » aho kuba « Ibihano »;
- Ku ngingo ya 39, umushikiranganji yoshikiriza icegeranyo Inama Nshingamateka kibanje kwemezwa n'inama nshikiranganji;
- Gushiraho umugwi wokwerekana amadeni Reta ifise, iyo dosiye ikazanwa mu nama nshikiranganji.

6. **Integuro y'itegeko rishira mu ngiro ibwirizwa n° 1/10 ryo ku wa 12 Myandagaro 2016 rigenga ingwati z'ivyimuka mu Burundi, y**ashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Nk'uko bisanzwe biri, mu gusaba ingwati ku madeni, amabanki canke ibisata bikora nkayo ashira imbere ibitimuka, ugasanga abantu benshi mu Burundi batabifise (amatongo yanditswe, amazu afise urupapuro ndangatongo) badashobora kuronka ideni.

Izo mpungenge z'ayo mabanki n'ivyo bisata ziva ahanini kuri ibi bikurikira :
- Kubura amategeko atomoye ;
- Kubura igitabo canke urutonde handikwamwo ingwati ku buryo uwuvyipfuza ashobora kubisoma ;
- Kubura ubumenyi ku bijanye no kwakira ingwati y'ivyimuka ;
- Ibisata bitanga amadeni ntivyitaho ingwati z'ivyimuka .

Mu ntumbero yo guhangana n'izo ntambamyi, no mu kugwiza ibishobora gutangwako ingwati bishobora kwemerwa n'ibisata bitanga amadeni, nk'amabanki n'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana, no kugirango abantu bafise ivyimuka bashobora gutangako ingwati bashobore kuronka amadeni, harashizweho ibwirizwa n° 1/10 ryo ku wa 10 Myandagaro 2016 rigenga ingwati z'ivyimuka vyumvikanyweko mu Burundi.

Ariko naho iryo bwirizwa ryagiyeho, hari hakanewe itegeko mperekeza ririfasha gushirwa mu ngiro.

Nkako ingwati z'ivyimuka ni inzira ihambaye ituma abantu baronka amadeni. Ingwati z'ivyimuka isaba kenshi ko nyen'ico kintu c'ingwati agitanga.

Iyi nteguro ije kwerekana ingene igitabu c'ingwati zimuka gikora.
Ico gitabu candikwamwo ingwati zose z'ivyimuka kikongera kikabika amakuru ajanye na zo, kikongera kikazimenyekanisha kugirango bamenye ivyo uwugiye gusaba ideni yatanzeko ingwati.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira :

- Mu vyisungwa, gukuramwo itegeko ryo mu mwaka w'1962 rivuga ko amabwirizwa n'amategeko yafashwe n'intwaro ya gikoroni agumaho ;
- Gusubiramwo amategeko yose yataye igihe.

7. **Urwandiko rwerekeye ihindurwa ry' Ikigega cishinga abanyamitahe bato bato « Fonds d'Impulsion, de Garantie et d'Accompagnement » FIGA mu mpfunyapfunyo kikaba ishirahamwe risangiwe na Reta n'abigenga**, rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Iyo mpinduka ije kugirango Ikigega FIGA gihinduke ishirahamwe risangiwe na Reta n'abigenga.

Muri iki gihe, Ikigega FIGA gifise umurimo wo gufasha amashirahamwe matomato akorera mu bisata Reta ishira imbere y'ibindi kandi aduza ubutunzi, ngo aronke uburyo bwo gukora.

Umurimo wa FIGA nk'ishirahamwe risangiwe na Reta n'abikorera ivyabo kuzoba ari ugufasha amashirahamwe mato mato akorera mu bisata vyose vy'ubutunzi. Hazoshirwaho inzira zibereye zituma iryo shirahamwe rironka uburyo bwaryo, ingwati no guherekeza amashirahamwe mato mato mu bikorwa vyayo.

FIGA nk'ishirahamwe, rizovuka nk'ayandi mashirahamwe biciye mu Gisata kijejwe iterambere mu Burundi. Itegeko rirekurira Reta gushira umutahe muri iryo shirahamwe FIGA rizoshirwako umukono imbere y'uko FIGA yandikwa muri ico Gisata kijejwe iterambere mu Burundi, hanyuma hace hashirwa umukono kw'itegeko risambura Ikigega FIGA .
Ugushira umukono kuri ayo mategeko abiri, kwandika Ishirahamwe FIGA mu Gisata kijejwe iterambere mu Burundi be n'inama y'abanyamutahe bose, bizobera umunsi umwe, kugirango ntihagire igihengeri kiba mu bijanye n'inzego.

Abazoba bagize ishirahamwe FIGA bazoba ari Reta, n'ibisata bitanga amadeni,be n'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana avyipfuza.

Hariho n'urupapuro rw'inzira rwerekana ingene bizoza biragenga kugirango FIGA ihinduke ishirahamwe Reta isangiye n'abigenga.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, **yaremeye** iyo mpinduka, ariko ica isaba ko amatungo FIGA ifise yoharurwa neza imbere y'igihe, kugirango umutahe wa Reta muri iryo shirahamwe uzobe uzwi neza kuva rikivuka.

8. **Integuro y'urugero rw'amahera azokoreshwa muri Reta mu gice ca kabiri c'umwaka w'i 2023 ushira uw' 2024,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Urugero rw'amahera akoreshwa rubwirizwa kwubahiriza ibwirizwa rigenga amahera azokoreshwa na Reta mu mwaka w'2023 ushira uw'2024 ritegeka kwerekana urugero rw'amahera akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atatu atatu, hisunzwe indinganizo y'ibikorwa n'amahera ategekanijwe ku mwaka.

Urwo rugero rw'amahera rwerekeye amahera yose akoreshwa, kiretse ayajanye n'imishahara be no kuriha amadeni.

Muri uyu mwaka w'amahera ya Reta w'2023 ushira uw'2024, amahera azosohoka bivanye n'ingene yinjiye.

Amahera atazoba yakoreshejwe muri ico gice c'umwaka azoca aba impfagusa, kandi arashobora gutangwa ku bundi bushikiranganji canke urundi rwego rwa Reta.

Harategeganijwe ahazoshirwa amahera atazoba yakoreshejewe, kugirango ashobore kwikorwako iyo habaye igikorwa cihuta kivutse.

Inama nshikiranganji **yaremeje** urwo rugero rw'amahera, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Kwerekana amahera yinjiye mu kigega ca Reta mu gice cambere c'umwaka be n'ayakoreshejwe, mu ntumbero yo kuraba ingene igihengeri kingana ;
- Guhimiriza abantu bafise amahera bakayagurana Reta iyo iyakeneye, aho gukorana n'amabanki gusa.

9. **Urwandiko rujanye n'umugambi wo gushigikira ikwiragizwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu vy'ubutunzi (PAFEN)**, rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Kubera Reta izi akamaro k'ubuhinga ngurukanabumenyi mw'iterambere ry'ubutunzi n'imibano, ibifashijwemwo n'abo basanzwe bafashanya, yarashizeho umugambi wo gushigikira ikwiragizwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu vy'ubutunzi (PAFEN), ufashwe mu mugongo n'ibanki y'isi yose, ku madolari y'abanyamerika angana n'imiyoni mirongo itanu (50). Uwo mugambi watanguye kuja mu ngiro kw'igenekerezo rya 28 Ruhuhuma 2023.

Mu ntumbero yo kwishura ku kamo Reta y'Uburundi yateye k'ukwagura uwo mugambi ugashikira no kw'ikoreshwa ry'amahera y'igihugu mu gukwiragizayo ubuhinga ngurukanabumenyi, hariko haraherahezwa itegurwa ry'uburyo bungana na miliyoni mirongo ine na zibiri (42) z'amadolari y'abanyamerika bwiyongera ku bwari bwaratanwe. Buzotangwa n'Ibanki y'isi yose.

Ubwo buryo bwinyongera buzokora mu gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mw'ikoreshwa ry'amahera y'igihugu. Uwo mugambi uzoca ugira uburyo bungana na miliyoni mirongo icenda na zibiri zizokora ku kiringo c'imyaka itandatu (6).

Inama nshikiranganji imaze kwihweza akamaro k'uwo mugambi, **yaremeje** ko iyo nteguro y'umugambi yobandanya, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira :

- Gushiraho umugwi w'abahinga ujejwe ubuhinga ngurukanabumenyi ;
- Uwo mugwi woca ushiraho urupapuro rw'inzira rwerekana ingene igikorwa kizogenda ;
- Gusuzuma ingene uburyo bwahawe ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta muri uwo mugambi wo gukwiragiza ubuhinga ngukanabumenyi bwakoreshejwe.

10. **Urwandiko rumenyesha ibisabwa na Banki ya Afrika ijejwe iterambere (BAD) kugirango itange uburyo bwo kwubaka ibarabara ry'indarayi Uvinza-Musongati**, rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza Uburaro.

Reta y'Uburundi na Reta ya Tanzaniya zaratumiwe mu nama ijanye n'ivy'imitahe yabereye i Abidjan mu gihugu ca Côte d'Ivoire, kuva kw'igenekerezo rya 01 gushika ku rya 04 Munyonyo 2022, kugirango zishikirize abatanga uburyo umugambi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi Uvinza-Musongati-Gitega.

Uwaserukiye Ibanki ya Afrika ijejwe iterambere yarashimye uwo mugambi aca amenyesha ko iyo banki izowushigikira biboneka kandi ikazokwishinga n'ayo ma Reta ku ngurane zofata mu mabanki ajejwe ubudandaji, mw'irangurwa ry'uwo mugambi.

Muri iyo nama, Ibanki ya Afrika y'iterambere yiyemeje gutanga imiliyoni amajana atandatu (600) z'amadolari y'abanyamerika nk'ingurane ku gihugu ca Tanzaniya, n'imiliyoni ijana (100) nk'ingabire ku gihugu c'Uburundi.

Inama y'urwego nshingwantwaro rw'iyo banki itegekanijwe muri Kigarama 2023 kugirango ivyige.

Mw'isuzuma ry'uwo mugambi ryabaye, abakoze ico gikorwa babonye ko ibikeneye gukorwa imbere y'uko iyo nama iba ari ibi bikurikira :

- Gushiraho umugwi wotanguza uwo mugambi;
- Gushiraho itegeko rigenga igisata gicungera gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi;
- Kumenyesha ibanki ya Afrika y'iterambere ishirahamwe ryatsindiye gucukura ubutare bw'i Musongati, be n'ikirangaminsi c'imfatakibanza c'ingene iryo cukurwa rizokorwa.

Kugirango uwo mugambi urindiriwe kuva kera ntusubire gucererwa, uru rwandiko rushikiriza ibi bikurikira:

- Reta y'Uburundi yofata ingingo zose zishoboka kugirango igikorwa co gutora ishirahamwe rizocukura ubutare bw'i Musongati gihere mu gihe categekanijwe;
- Gushiraho itegeko rigenga igisata gicungera gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi, mugabo mu kurindira ko ibikorwa vyo kwubaka iryo barabara bihera, hakajaho umugwi ujejwe gukurikirana uwo mugambi;
- Ubushikiranganji bwose bwegwa n'ico gikorwa bwokora ibishoboka vyose kugirango igihugu kibe gifise abahinga bakenewe kugirango uwo mugambi uranguke neza.

Inama nshikiranganji **yarakiriye** ibiri muri urwo rwandiko, ica ishikiriza ko Reta y'Uburundi izobandanya ivugana n'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere n'abandi basanzwe bafashanya n'Uburundi mw'iterambere, ndetse n'abo basangiye uwo mugambi, kugirango uranguke.

## 11.Utuntu n'utundi

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarasavye Abashikiranganji kubandanya bagendera abenegihugu kugirango baze barababaha inyishu ku bibazo bibaraje ishinga, umwe wese mu vyo ajejwe.

- Nyakwubahwa Icegera c'Umukuru w'Igihugu yarasavye abashikiranganji kwumvisha amashirahamwe yegamiye ubushiranganji bajejwe ko iharurwa ry'imishahara ritegerezwa kwisunga intumbero nshasha yashinzwe ni ukuvuga: urupapuro rw'umutsindo, akazi umuntu akora, n'umwimbu mu kazi.

Bigiriwe mu Kirundo, igenekerezo rya 07 Munyonyo 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE